Bibiliya y'Abana

Ishikirije



# Yosuwa Aba Amurongozi


Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Janie Forest; Alastair Paterson

Itunganywa na: Ruth Klassen

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique



Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org




©2024 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.




Mose yari yapfuye. Yosuwa yari azi ko Imana yari yamutoye ngo arongore ab'isirayeli. Imbere y'uko Yosuwa ategura ingabo ziwe, yategerezwa kubanza kwitegura wenyene. Imana yari yarasezeraniye Yosuwa intsinzi no kuroranirwa mugihugu yari yarasezeraniye abantu nibabandanya bumvira ijambo ry'Imana.




Ab'isirayeli basezerana kuzokurikira Yosuwa no kuzokwumvira ijambo ry'Imana imisi yose.



M'ubwenge ntangere, umurongozi mushasha atuma abatasi i kanani kugira ngo baje kuraba abarinda igisagara gikomeye c'i Yeriko. Intambara yambere ya isirayeli yari igomba itangurire aho.

3



Hari umuntu yabwiye umwami w'i Yeriko abatasi baje mugisagara. Aca arungika abasoda kugira baje kubaraba. Mukubarondera batanguriye munzu ya Rahabu, kandi abo batasi niho bari bari. Abasoda bagerageza kwugurura umuryango. Rahabu aca anyegeza abo bagabo ningoga na ningoga musi y'ivyo yari yanikiye.


4

Abasoda bamaze kugenda, Rahabu aca akoresha umugozi utukura kugira ngo abo batasi bawumanukireko baciye k'uruhome rw'igisagara. Kuber'iki yafashije abo batasi? Kuko yari azi ko Imana irikumwe nabo. Yashaka ko Imana izigama ubuzima bwiwe. Abatasi baca bamusezeranira ko bazokiza ubuzima bwiwe hamwe n'umuryango wiwe.




5

Imbere yo gushika i Yeriko, ab'isirayeli bategerezwa kujabuka uruzi yorodani rw'i kanani, igihugu c'isezerano. Ariko ntakiraro cari kuri urwo ruzi. Mbega abantu baca barujabuka gute?




6

Imana ibarira Yosuwa ko abaherezi aribo baja imbere y'abasoda n'abantu batwaye isandugu y'isezerano nibaba bubahiriza yamabwirizwa cumi. Ibirenge vy'abaherezi bikoze kunkombe z'uruzi, Imana yaciye ikora igitangaza. Inzira yumutse ica ibafasha kujabuka ayo mazi.



7

Abantu bose bamaze kujabuka, baca bashinga amabuye cumi n'abiri manini manini hasi m'uruzi, n'ayandi cumi n'abiri k'urubibe rw'I kanani. Kwari ukugira ngo bizofashe abantu kwigisha abana ububasha n'urukundo vy'Imana.




8



Yeriko hari hazitijwe inzitiro zikomeye kandi zagutse. Yosuwa ariko ategura kuhatera, Imana irungika umukuru wo mungabo zo mw'ijuru ngo aze kwibutsa umurongozi mushasha ko Imana ariyo ineshereza abantu bayo muntambara.

9




Imana ibarira Yosuwa gutera I Yeriko. Integuro yari itangaje. Abantu b'Imana bategerezwa kuzunguruka igisagara incuro imwe k'umusi kumara imisi itandatu, n'incuro indwi k'umusi ugira indwi.

10


Yosuwa n'ingabo ziwe baca bakora uko Imana yabategetse gukora. Birashoboka ko abantu b'i yeriko babatwenze. Ariko bamaze kugira urugendo rugira indwi k'umusi ugira indwi, abaherezi bavuza akamo bakoresheje inzamba zikozwe mumahembe, kandi nk'uko Imana yari yabisezeranye, IBIHOME BININI BININI VY'I YERIKO BICA BIRASENYUKA!








11



Inzu ya Rahabu yonyene niyo yasigaye itasambutse munzu zose zari muri urwo ruzitiro. Yari yamanitse akagozi gatukura kw'idirisha. Abantu ba Yosuwa baciye bakiza ningoga Rahabu n'umuryango wiwe.
Hanyuma i Yeriko haca harasamburwa, nk'uko Imana yari yabitegetse.

12

Yosuwa aca ashikanira Imana k'umugaragaro



inzahabu, ifeza n'ubutunzi bwose bwari I yeriko kugira ngo bikoreshwe igikorwa c'Imana.
Aca ashira umuvumo kubantu bose bazoshaka gusubira kwubaka igisagara. Vuba na vuba, i kanani, uwo ariwe wese amenya ingene Yosuwa yanesheje I Yeriko. Bamenya ko Imana yarikumwe n'abantu bayo.

13

Yosuwa Aba Amurongozi

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Yosuwa 1-6

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130

14




13 60



Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana
yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16